Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907

N°796 1 Myandagaro 2023

## Impundu ya yubile y'imyaka 100 n'iyatirwa ry'Abasaserdoti n'abadiyakoni muri Paruwase Busiga

Kuri uyu wa gatandandatu igenekerezo rya 8/7/2023, muri Paruwase ya Busiga iri muri Diyoseze ya Ngozi, harabaye imigirwa y'iyatirwa mw'ibanga ry'ubusaserdoti n'ubudiyakoni, n'itangwa ry'ibice bigana iryo banga.

Inkuka y'Imisa yatanguye igihe c'isaha zine n'igice z'igitondo irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Joriji BIZIMANA, Umwungere wa Diyoseze Ngozi.

Mu nsiguro yiwe, Umwungere yatanguye kubwira abari aho icatumye abantu bakoranira aho I Busiga agira ati : « Uyu musi hari urubanza rw'ukwatira Abasaserdoti bashasha hamwe n'uguhimbaza yubire y'imyaka ijana iyi Paruwase ya Busiga imaze.

Niyo yabaye iya mbere muri Diyoseze ya Ngozi. Ni umusi mukuru w'ukugabana ivyiza vy'Imana.

Mu 1972, niho iyo paruwase yashikana imyaka 50, ariko ico gihe nta yubire yahabaye kuko mu gihugu hari ubwicanyi, ukuvuza inzamba bigasubirizwa n'ugucura intimba.

Ubu rero harageze yuko umwe wese yirimbura akaraba ivyiza Imana yatugiriye, akisuzuma agaheza akamaramara, akagira ingendo y'ukwigaya n'ukugaruka ku Mana.

Uyu musi wa yubire uhuriranye n'itangwa ry'ubusaserdoti. Abasaserdoti nabo badufasha gutsinda Shetani, kuko umusaserdoti nk'umwungere mwiza, ategerezwa kwitanga ngo ashobore gufasha abakristu kuronka ubuzima budahera.

Mu bwuzure bwa kera, ubusaserdoti bwaraherekanywa, bari mu muryango wa bene Levi, barafasha abantu guhereza Inkuka z'ibitungwa abantu bagasubiza ham

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

**Uwujejwe uruganda:**
* A. Noël NTIRANDEKURA

**Abamenyeshamakuru:**
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

**Uwujejwe ubuhinga:**
* Chanel HARINGANJI

**Umunyamabanga:**
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

**Umunyabigega:**
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

**Uwujejwe imigenderanire:**
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Umuryango : «Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza»




Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

o «Emera usansumwe kuko uri kirumara»....................................3
o CEJP -Burundi: Ubuvugizi ku burenganzira bw'abakenyezi kw'itongo n'ubw'ukugira ijambo mu nzego....................................8
o Uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu....................................10
o Umunsi mpuzamakungu wahariwe abageze mu zabukuru....................................12

# Idominika ya Cumi n'umunani : Ukwihindura kw'Umukama A

**Igisomwa ca mbere :** Daniel 7,9– 10.13-14

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Daniel :

*(Impuzu yiwe yarera nk'urubura)*

Ng'iri iriyazwe n'Umukama :

Nkiriko ndaraba, mbona intebe z'ubwami ziriko zirashingwa, hanyuma umukurambere aricara; impuzu yiwe yarera nk'urubura, umushatsi wo ku mutwe wiwe na wo wasa n'ubwoya bw'intama, ntiwagira agatosi. Intebe yiwe yakaka nk'imbeya z'umuriro, ibigata vyayo na vyo vyakaka nk'umuriro. Uruzi rw'umuriro rwatemba ruva imbere yiwe, ibihumbi n'ibihumbi ni vyo vyamukorera, ibihumbi n'ibihumbi bikama bihagaze imbere yiwe. Sentare irasasa, ibitabu birugururwa.

Mu vyo neretswe mw'ijoro, mbona ku bicu vy'ijuru haje uwusa n'Umwana w'umuntu, aja kwa wa mukurambere, baca bamurengukana imbere yiwe. Aca ahabwa inganji, icubahiro n'ubwami; ibihugu vyose, amakungu yose n'indimi zose, baramukorera. Inganji yiwe ni inganji izokwamaho, ntizohera, kandi ingoma yiwe ni ingoma itazokwigera isenyurwa

**Igisomwa ca kabiri:** 2 Petero: 1,16- 19

Ivyo dusoma mw'ikete rya kabiri ry'Umutumwa Petero:

*(Iryo jwi twararyumvise rivuye mw'ijuru)*

Bakunzi banje :
Erega ntitwakurikije imigani yarementanijwe n'incabwenge, hamwe twabamenyesha ububasha n'amaza y'Umukama wacu Yezu Kristu, ariko ni uko twiboneye imbonankubone inganji yiwe. Nkako yahawe n'Imana Se iteka n'ubuninahazwa, hamwe ijwi ry'ubuninahazwa bw'agahore rigiriye riti: «Uwu ni umwananje nyagukundwa, ni we ampimbara.»

Iryo jwi twararyumvise rivuye mw'ijuru hamwe twari kumwe na we kuri wa musozi mweranda. Niho turushirizaho kwemera ivyavuzwe n'abahanuzi, mukagira neza mu kubaraba nk'itara ryakira mu mukorane gushika umutwenzi ukike, inyenyeri yo mu nyomvyi na yo igaseruka mu mitima yanyu.

## Inkuru nziza: Matayo : 17, 1– 9

**Alleluya, Alleluya.**

- Muri ca gicu gica ibikeke, ijwi rya Data rirumvikana riti: "Uyu ni Umwana nkunda cane: nimumutege amatwi".

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

(Mu maso hiwe harakaka nk'izuba)




Haciye imisi itandatu, Yezu ahitana Petero, Yakobo na mwenewabo Yohani, abadugana ku musozi muremure, ahiherereye. Araheza arahinduka imbere yabo, mu maso hiwe harakaka nk'izuba, impuzu ziwe na zo zica ibibatsi nk'umuco. Baza babona Musa na Eliya barababonekeye, bariko baraganira na Yezu. Petero rero abwira Yezu ati: «Mukama, birahimbaye ko twibera ngaha. Ubishatse, nohagira insago zitatu, rumwe rwawe, urundi rwa Musa n'urundi rwa Eliya.» Akiriko aravuga, haza igicu gikayangana kirabatwikira, hanyuma ijwi riva muri nya gicu rivuga riti: «Uwo ni Umwana wanje nkunda, ampimbara, nimumwumvirize!»

Nya bigishwa bumvise iryo jwi barahundagara, bagira ubwoba bwinshi. Hanyuma Yezu arabegera, arabakorako ababwira ati: «Ve hasi kandi reke gutinya!» Na bo bararamuye amaso, ntihagira uwundi n'umwe babona atari Yezu, we gusa.

Bariko baramanuka bava kuri nya musozi, Yezu abategeka ati: «Ntihagire n'umwe muzobwira ivyo mwabonye, Umwana w'umuntu atamaze kuzuka ava mu bapfuye.»

# «Emera usansumwe kuko uri kirumara»

Kuva ku munsi wa gatatu igenekerezo rya 26 gushika ka wa gatanu igenekerezo rya 28 Mukakaro 2023, ku mugwa mukuru wa poritike mu ntara ya Gitega, Ibiro bikuru bijejwe Rusansuma mu Burundi vyaratunganije inyigisho ku bamenyeshamakuru bazofasha kumenyekanisha Rusansuma y'abanyagihugu, uburaro, uburimyi n'ubworozi. Ico gikorwa ca Rusansuma kizomara hafi amezi 6.

Mw'ijambo ry'ukwugurura ivyo bikorwa, Nicolas Ndayishimiye, Umuyobozi mukuru w'ibiro bijejwe Rusansuma mu Burundi avuga ko bakoranije abamenyeshamakuru kugira ngo bamenye Rusansuma ico ari co, nibaja ku bikorwa ntibajane nyabahururu canke ngo hagire akabasoba mu guhimiriza abanyagihugu kwitabira Rusansuma, gutyo ntihagire n'umwe asigara inyuma kuko aribo kirumara mw'iterambere ry'igihugu.

Urwo rusansuma rukazoba rwerekeye kumenya ibitigiri mfatiro vy'abantu bose baba mu Burundi ; kumenya uko uburaro bwifashe ko ari amazu agezweho meza meza, ko asakaje amabati canke ibindi ; kumenya abantu baba mu rugo rumwe rumwe rwose n'imirimo yabo ya minsi yose no kumenya ibitungwa biri mu rugo.

Iyo rusansuma y'ibanze izotangura 15 Myandagaro 2023, niyo yerekana uko rusansuma nyezina izogenda.

Muri uyu mugambi w'igihugu rero, Nicolas Ndayishimiye avuga ko amafaranga azokenerwa ashika ku mamiliyaridi 70, ko Reta y'Uburundi yamaze guha ibiro bijejwe gutegura Rusansuma imiriyaridi 46 z'amafaranga y'amarundi, ko yiteze kandi ko amafranga yose azokenerwa Reta izoyata.

Ku bijanye n'uko ibiharuro biba vyavuye mu ma Rusansuma bihora biteba gutangwa ngo vyatumwa no kubura ibikoresho bikorana n'ubuhinga ngurukanabumenyi n'uburyo bw'amafaranga.

Avuga ko ubu ata nkeka ibikorwa bizogenda neza kuko baronse uburyo bw'amafaranga n'ibikoresho vyagenewe ico gikorwa.

***Abamenyeshamakuru bahamagarirwa gukora bisunze amategeko.***

Uyu musi ugira kabiri w'inyigisho nkaribwenge ku bamenyeshamakuru bazofasha mu gikorwa ca Rusansuma gitegekanijwe kuva kw'igenekerezo rya 15 Myandagaro 2023.

Inyuma yo gushikiriza abamenyeshamakuru ubutumwa inama nkuru y'igihugu ijejwe kugenzura ibinyamakuru mu Burundi (CNC) bugizwe n'amategeko ngengamwuga umumenyeshamakuru ategerezwa kwisunga mu mwuga wiwe, Pontien Karimwabo, arongoye igisata kijejwe gusuzuma ibica mu bimenyeshamakuru akaba n'ijisho ry'inama nkuru ijejwe kugenzura ibimenyeshamakuru mu Burundi, ashimangira avuga yuko Umumenyeshamakuru atanga inkuru igashikira abo yategerezwa gushikira.

Pontien Karimwabo agereranya umumenyeshamakuru nk'umuvyeyi agaburira umuryango wiwe, agiye gusuma agerageza kwiyumvira imfunguro zikwije ivyangombwa bitagwaza umuryango wiwe canke ngo biwake ubuzima.

Ahamagarira abamenyeshamakuru bazofasha mu gikorwa ca Rusansuma kuraba inkuru batanga ko ari inkuru kokoikwiyegushikirizwa iciye kw'iradiyo canke ikimenyeshamakuru babanze gushishoza kandi bakaraba yuko impande zose bazihaye ijambo ku rugero rungana kiretse uwo bahaye ijambo bimwinaniriye.

Atanga akarorero ku bamenyeshamakuru n'aba-nditsi bavuga ngo « ku makuru y'ukwizera dufise...» ntibahe ijambo nyene inkuru nyezina ngo avuge we nyene tumwiyumvire ngo ntibijanye n'umwuga.

Natacha Ndikumana, umwe mubajejwe ibijanye n'amategeko mu Nama nkuru y'igihugu ijejwe kugenzura uko ibinyamakuru bikora mu Burundi ( CNC) avuga ko umumenyeshamakuru ashobora gukora ikosa (déli) rigacika icaha (infraction) kigatuma ahamagarwa imbere y'ubutungane.

Ahanura abamenyesha makuru muri iki gikorwa ca Rusansuma gukora bisunze amategeko n'akarangamutima k'umwuga bakoze ikosa rigume ari ikosa ntirigere ku rugero rwuko riba icaha kibashikana imbere y'ubutungane, aho bazoba bariko bafashanya neza na CNC.

Mw'ijambo ryo gusozera urwo ruganda rwo gukarihiriza ubumenyi abamenyeshamakuru, Nicolas Ndayishimiye yasozereye abakeza ku kungene bakiranye ishaka igikorwa ca Rusansuma nkuru y'igihugu, yongera amenyesha ko Ibiro arongoye bitazohengeshanya kubandanya bikaburira ubwenge abamenyeshamakuru mu bikorwa vyo guhimiriza abanyagihugu kwitabira Rusansuma.

Yagiriyeko abasaba ko boca baja ku kivi co guhimiriza abanyagihugu baze bitabire ku bwinshi rusansumma ruberekeye kuko ni rwo ruzotuma Reta ifata ingingo zibereye mu vyerekeye imigambi y'iterambere ry'igihugu.

Tubamenyeshe ko izo nyigisho zamaze imisi 3 ziriko zibera mu ntara ya Gitega kuva ku wa 26 gushika ku wa 28 Mukakaro 2023.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Impundu ya Yubile y'imyaka 100 n'iyatirwa ry'ubusaserdoti n'ubudiyakoni muri Paruwase Busiga

we n'Imana.

Mugabo mu Bwuzure Bushasha, ni Yezu we nyene yashinze iryo sakramentu ku wa kane Mweranda, niwe yihereza kw'Inkuka.

Umusaserdoti ahereza umukate n'umuvinyu bigahinduka umubiri n'amaraso vya Yezu.

Abasaserdoti bategerezwa kwitangira abakristu kandi nabo nyene bakihereza mu gushira mu ngiro rya bwirizwa ry'urukundo kuko twese turi imperezwa nzima.

Kuba umuseserdoti ni ubutumwa budasanzwe kandi bureruhisha, kuko akura akarorero kuri Yezu we yemeye kurinda rugabo kugira ngo arokore abantu.

Yezu niwe yitorera abo atuma, kuko mw'itorwa harimwo ikinyegezwa ca Yezu. Batorerwa kubandanya igikorwa ca Yezu. Uwutowe aratirwa, akaronka n'ikimenyetso kitazimangana. Aronka ubutumwa bw'ibanga, kandi mu vyo kubaho kw'abantu ntaco basumvya abandi. Imana itora abakengeretse.

Ni co gituma Umusaserdoti ategerezwa kwifashisha ivyo afashisha abandi cane cane mu guhabwa isakramentu ry'ikigongwe n'iry'ukaristiya kuko na bo nyene Shetani ntibagera umutwe ».

Insiguro iheze, hakurikiye imigirwa y'ugutanga ibice vy'ubusomyi n'ubukorezi hamwe n'ukwatira abadiyakoni n'abasaserdoti. Abatiriwe kuba Abasaserdoti ni 8 ; abo nabo ni:

* Mariko BUTOYI (Paruwase Rukago),

* Yohakimu MANIRAKIZA (Paruwase Rwisabi), * Selestino NDAYIKEZE (Paruwase Gatara),

*Epipode NDIKUBWAYO (Paruwase Gasenyi),

* Oscar Ntirampeba (Paruwase Rukago),

* Karori NZEYIMINA (paruwase Kiremba), * Yuvinali SINDAYIGAYA (Paruwase Kiremba)

* hamwe na Jean Christophe (Paruwase Nyamurenza, akaba asanzwe ari mu muryango w'abamisiyonari ba Africa bakunze kwita « Abapatiri bera-les Pères Blancs »).

Haratiwe kandi abadiyakoni 10, hatangwa n'ibice bishira ubusaserdoti: abafaratiri 12 baronse ubukorezi hamwe n'abafaratiri 6 baronse Ubusomyi.

Twobamenyesha ko iyo Nkuka ya misa iheze, haciye hakurikira ukwigina ivyo vyiza baribahejeje kugabana mu gusangira akarahuri. Ni muri ico kiringo nyene amajambo atari make ajanye n'urwo rubanza yaciye ashikirizwa !

*Philbert MIBURO*
*Diyoseze Ngozi*

# Indagano mu Muryango wa Bene- Paulo

Ku munsi wa gatandatu igenekerezo rya 29 Mukakaro 2023, Umuryango w'Abafurera Bene- Paulo bari baramukanye umunsi mukuru wo kwakira abafurera bashikiriza indagano zabo za mbere, iza burundu, n'abakengurukira Imana ku myaka 25 bamaze muri uyo muryango. Hari kandi n'abafurera baramutse bategwa iteka ry'ugushikirizwa ibanga ry'Ubusomyi, umwe yaronse Ubukorezi n'uwari aramutse yatirwa mw'ibanga ry'Ubudiyakoni.

**Abasavye gushikiriza indagano za mbere ni 10:**

Novice Bimenyimana Emmanuel (Paruwase Gihango, Diyoseze ya Bubanza), Novice Ciza Désiré (Paruwase Gasorwe ka Muyinga), Novice Haramahoro Cédric (Paruwase Mugamba wa Bururi), Novice Hatungimana Jean Claude (Paruwase Matara, Diyoseze Nkuru ya Bujumbura), Novice Iremukwishaka Léonidas (Paruwase Gasorwe i Muyinga), Novice Kubwimana Jérémie (Paruwase Muramba i Muyinga), Novice Ndayishimiye Christophe (Paruwase Gisuru ca Ruyigi), Novice Nijimbere Onesphore (Paruwase Gitongo Diyoseze Nkuru ya Gitega), Novice Nindamutsa Thierry (Paruwase Munini wa Bururi), Novice Ntawugayimana Jules ( Paruwase ya Kivoga ca Bujumbura).

**Abashikiriza indagano za burundi ni 4 :**

Furera Hakizimana Aloys (Paruwase Jenda, Diyoseze nkuru ya Bujumbura), Furera Havyarimana Isidore (Paruwase Bukwavu, Diyoseze nkuru ya Bujumbura), Furera Ndayiragije Longin (Paruwasse Buraniro Diyoseze ya Ngozi), Furera Nzisabira Gédéon (Paruwase Gisanze Diyoseze ya Muyinga).

**Abafurera bashikirijwe ubutumwa bwo gushikiriza Ijambo ry'Imana ni 2 :**
Furera Bahati Constantin (Paruwase Murehe, Diyoseze ya Ngozi) na Furera Ndayishimiye Elie (Paruwase Nyabikere Diyoseze Nkuru ya Gitega).

Furera Bukuru Révérien nawe yatewe iteka ryo kwunganira umusaserdoti n'abakristu mu guhereza inkuka ya misa.

Furera Manirakiza Théophile nawe yatiwe mw'ibanga ry'Ubudiyakoni.

Abafurera 3 bakengurukira Imana ku myaka 25 bamaze mu Muryango w »'Abafurera Bene – Paulo, ni : Furera Bizimana Prudence (Nyangwa muri Diyoseze Nkuru ya Gitega), Furera Ahishakiye Jean Marie (Bukwavu, Diyoseze Nkuru ya Bujumbura na Furera Kayobera Come avuka i Muramvya , Diyoseze Nkuru ya Bujumbura.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ingene urugo rwifashe mu bihe vya none

Mbega muri iyi yubile y'imyaka 125 iheze Ijambo ry'Imana rishitse mu Burundi, ingo rukristu zifashe zite? Ni ingo zikomeye zubaka Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza?

Mw'Ihwaniro rya mbere ry'ingo ryabereye i Bujumbura, Musenyeri Léonidas NINDEREYE, Icegera gikuru c'Umwepiskopi wa Diyoseze ya Bururi yashikirije inyigisho yashikirije inyigisho yerekeye uko ingo zifashe mu bihe vya none, ati:

Ikibanza ntasubirizwa c'urugo mu buzima bwa muntu no mu buzima bw'igihugu n'ubw'Ekleziya turakizi. Koko mu bisanzwe mu rugo ni ho umuntu aronkera ubuzima, akaharonkera iyandiro ry'imico izomufasha gutunganya ubuzima bwiwe n'ubw'aho abaye.

**Urugo ni iyogi ry'ubuzima bwa muntu n'ubw'igihugu.**

Bisubiriye, iyo mu rugo rukristu ubukomezi bw'inema y'isakramentu ry'ukwabirana bwakiriwe n'abubakanye babukabusasira indava, buraheza bugakomeza abari mur'urwo rugo eka n'abo bagendana. Gurtyo urugo rukristu rukaba rubaye iyandiro ry'imico myiza mu gihugu.

Kugira ngo rero izo ngo rukristu zishobore kurangura ubwo butumwa zahawe n'Abungere b'Ekleziya, eka kugirango n'abazifasha babone ivyo bokwitwararika, vyari bikenewe yuko twibukanya ingene urugo rwifashe mu bihe vya none.

Ego, kanatsinda ubutumwa bwose bushikirizwa abantu baba ahantu hanaka, bageze mu bihe binaka.

Tuza gushikiriza iyi nyigisho mu myanya ibiri, turabanza twibukanye ibikuru bikuru vyaranga urugo aho hambere, twongere turabire hamwe ivyazanye impinduka mu buzima bw'urugo. Mu mwanya ugira kabiri mu kuraba ingene urugo rwifashe mu bihe vya none turibukanya akamaro k'urugo, ibirubangamiye ubu hanuma tubone kwibaza icokorwa.

**1.Urugo aho hambere. Aho tuvuye**

Igituma tubanje guhagarara kuri kahise k'urugo, nuko mu biranga urugo harimwo uguhererekana ubuzima (kubw'uruvyaro), n'uguhererekana imico (kubw'indero). Mu kuramukanya murazi ko bagira bati: "Gira uyo uva, n'iyuja". Sinzi igituma iyo ndamukanyo twayihevye kuko iyo ufise iy'uva, ukagira iy'uja, niho uba ufise aho uhagaze, niho uba uri n'inzira ucamwo, ntuzimagirika. Mu gihe rero urwo ruhererekane rw'uruvyaro, n'urw'indero yo mu rugo rutakibaye, abantu baba babuze iyo bava, igikurikira ni ukubura iyo baja.

Baca bamera nk'uruyuki rwataye iboyi ruguma ruzerera, bakaba banjana n'abaja. Bamera nk'inzu itagira umushinge, bakamera nk'igiti kitagira imizi kica cuma.

Sukuvuga yuko ivyo muri kahise vyose ari vyiza vyo kugumya, haba namba, yamara dushaka gutegura kazoza kacu n'ak'abana bacu n'ak'abuzukuru ntahandi twohera atari mu vyari bigize akaranga k'ingo z'i Burundi, tukagatosora, tukakongeramwo ivyiza bishobora kuba vyavuye ahandi, na canecane tukakavomera n'Ijambo ry'Imana.

**1.1 Insiguro y'urugo**

Turazi yuko iyo hageze kwubaka, umuhungu n'umukobwa atari bo bitoranira. Umuryango ufise umusore ageze mu bigero waronderera umugeni mu miryango isanzwe izwi ko bashobora guhana abageni. Baraheza bakabanza kugendereza kugira bamenye ingene iyo nkumi imeze, mu nyifato, mu migenzo no mu bikorwa. Bamaze gushima, abavyeyi ni bo babonana, bakaja inama, bakazokwereranira, hanyuma abagenewe kubana bakazoheza bakazobonana umunsi w'urubanza rw'ukwubaka.

Urugo rushasha rero rwari nk'icamwa gikomotse k'ubumwe bwunzwe hagati y'imiryango ibiri. Umuryango w'umusore wibutswa ubwo bumwe n'uwo mukazana yahaje, umuryango w'umukobwa nawo ukibutswa ubwo bumwe n'inkwano yaje mu rugo.

Iyo miryango yunze ubumwe yaraheza ikitwararika ubwo bucuti bushasha ari naco gituma mu ntango imibindi n'ibiseke vyama biriko biranyurangana hagati y'iyo miryango kugira ngo ubucuti buboneke kandi bukomere.

Imvo zatuma umuryango wunga ubumwe n'uwundi zari nyinshi: ego har'uko umuhungu yaba ageze mu bigero, mugabo hari nuko imiryango yarabana uburyo ifise, canke ko ifise abantu benshi gurtyo iyo miryango inywanye ikaba ironse inkomezi zindi n'ububasha bukiyongera. Urugo rushasha rwari nk'uburyo bw'ukwagura umuzingi w'incuti z'imiryango maze hagateba hakaboneka urusobekerane rw'ubucuti, narwo rukazotuma n'akarere kose kaba kiyunze.

Bisubiye kandi, kubera ko henshi mu Burundi abahungu bavukana bubaka mu rugo rumwe bakikije inzu ya se, urugo rushasha rwaba ruje gukomeza ico gisata c'abavukanyi. Naho hatabura utuza turacamwo kandi noneho ntitwobura, ico gisata caba kigizwe n'inzu zisanzwe zisangira vyinshi (isekuro, urusyo, intaango, ikiruri c'inka...) zigasangira mbere n'imico. Iyo abo bavukanyi n'abagenzi babo baba babanye neza baca bakomeza n'urwo rugo rushasha.

Urugo rero rw'aho hambere rwari rukikijwe ubwa mbere n'ingo z'imiryango abubakanye bakomokamwo nabo bakaba babitezeko ko baje gukomeza iyo miryango.

***Biracaza***

***Ihwaniro rya mbere ry'ingo n'imiryango mu Burundi, ryo kuva 22 gushika 25 Ruheshi 2023***

# Umuryango: «Ekleziya ya haziko imenyesha Inkuru nziza»

Ku vyo mbona, abantu batari bake kandi bubatse, bagumana ukwemera k’ugutamikano kandi kw’abantu batigera bakura ngo bumve ko hari ico Imana ibabwira na bo bakayishura.



Womengo n’ukwemera kw’imiziro gusa, aho umengo uwubaboshe ni patiri mu nyigisho abigisha mugabo zidashika ku mutima ngo zibahindure.

N’aho babatijwe, womengo bigumaniye wa muntu wa kera, ntibigeze baba ibiremwa bishasha vyo mw’isezerano rishasha bataba bakigenzwa muri vyose n’amabwire y’isi. Aha hantu rero naho nyene harakomeye tubwirijwe kuhicarira.

**None kuri iyi ntambamyi hokorwa iki ?**

- Gufasha ingo, ngo zishimikire k’ugusoma n’ukuzirikana Ijambo ry’Imana kugira ngo ribahe akaryo ko kwihurira n’Imana bo nyene ubwabo, babone ico Imana ibabwira, na bo bagire ico bayishura nk’urugo.

- Kuraba ingene twoshira mu kirundi inyigisho nyinshi z’Ekleziya zerekeye ingo n’imiryango kugira ngo ababishaka baze bararonka aho bovoma inyigisho zibaremesha.

- Guhimiriza abubatse kwitwararika kuza barasengera hamwe, kugira ngo baze baraganirira Imana bari kumwe, kuko n’ubundi, ku bw’isakramentu ry’ukwubaka rukristu, baba basigaye bagize umwe.

- Guhimiriza abubatse rukristu ngo uko bishoboka baje mu mihari y’abubatse bashobore kuza barashigikirana n’abandi kuko ngo “umuntu yifasha gusara ntiyifasha gusaba”.



Benshi baba bakuriye mu mihari y’urwaruka, akaba ari yo ibagira ico bari. Iyo bagiye kwubaka, baca bamera nk’abaguze ikibaramira bahora baronka.

Imihari y’abubatse iri n’akamaro ntasubirizwa kuko ituma abubatse baza barajana, ikabafasha kuguma bunze ubumwe, kuko n’inyigisho zisama umutima bazumvira hamwe, bakazizirikanira hamwe.

***3.3 Kunagura ubutumwa bw’ingo n’imiryango mu madiyoseze yacu***

□ Hamwe hamwe baracari ku rugero rw’uko batagira n’umwe yiteguriye neza ivy’Imana n’ubutumwa vyerekeye ingo n’imiryango y’abakristu.

Inyigisho zimbitse zerekeye ingo n’imiryango y’abakristu ziri n’akamaro mw’itunganywa ry’ubutumwa bw’ingo z’abakristu.

□ Mu madiyoseze amw’amwe, hari ubutumwa bwinshi bukorwa n’imihari y’abubatse rukristu, igakorwa n’imiryango y’abihebeyimana ibifise mu karangamutima kayo n’akarangabutumwa, igakorwa n’iyi miryango mishasha irimwo abihebeyimana n’abakristu balayike yavukiye ico, maze ivyo vyose ugasanga bikorwa nk’ubutumwa bamwe bamwe bose bakorera ukwabo umengo ntibafatanije ikivi.

Tumenye ko inguvu zidashizwe hamwe zitakaza ubushobozi, Twovyitwararika rero kugira ngo abantu bari muri Diyoseze canke muri paruwase imwe bagakora mu bintu bimwe, boja mu runani bagakora nk’abasangiye umuryango ni ho ivyamwa biba vyinshi kuruta.

□ Aho bamaze kuronka ingo z’abakristu zibishoboye, zohabwa ikibanza gikwiye kugira ngo babe ari bo baja imbere muri ubwo butumwa bw’ugutegura n’uguherekeza ingo z’abakristu.

Na none abasanzwe bari muri iryo banga, ni bo bafise vyinshi bofashisha abo basangiye ibanga.

**3. Umusozo**

□ Nta musozo nashimye gushira kuri iki kiganiro, kuko nipfuza ko umwe wese mu bo dusangiye iri hwaniro ry’ingo n’imiryango y’abakristu yogira ico yocunganiramwo.

***Ihwaniro rya mbere ry’ingo n’imiryango mu Burundi, ryo kuva 22 gushika 25 Ruheshi 2023***

# CEJP - Burundi: Ubuvugizi ku burenganzira bw'abakenyezi kw'itongo n'ubw'ukugira ijambo mu nzego.



Mu ntumbero yo gushira mu ngiro umugambi w'igisata CEJP-Burundi c'inama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi kijejwe Ubutungane n'A-mahoro witwa: «Uguteza imbere uburenganzira bw'umukenyezi w'umurundi kw'itongo», ico gisata, kibicishije mu Bunyamabanga Nshingwabikorwa bwaco, carifatanije n'ishirahamwe UNIPROBA, urwego rw'i Gitega, be n'ishirahamwe APDHA, mu gutunganya uruganda kiyago, ku wa kabiri igenekerezo rya 25 Mukakaro 2023.

Urwo ruganda rwari urw'ukwegeranya ivyiyumviro vy'abegwa n'ugukingira agateka ka zina muntu muri rusangi, n'ak'abakenyezi vy'umwihariko, kugira ngo hategurwe ubuvugizi ku burenganzirabw'abakenyezi kw'ito-ngo n'ubw'ukugira ija-mbo mu nzego zifata ingingo.

Urwo ruganda rukaba rwabereye mu nyubakwa z'ikigo «La Détente» kiri mu gisagara ca Bujumbura.

Rwari rwitabwe n'abajejwe intwaro canke intumwa zabo baje bazananye mu ntara zisanzwe zirangurrwamwo uwo mugambi, ari zo Bujumbura, Cibitoke, Kirundo, Muyinga na Ruyigi.

Ubushikiranganji bwo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira bwaserukiwe na Nyeniteka umupfasoni Jacqueline Baranyizigiye, abahurikiye mu mashirahamwe y'abakenyezi, hatibagiwe n'abakenyezi bo mw'ishirahamwe ry'abatwa: UNIPROBA.

Urwo ruganda rwari rwubakiye ku ntambuko zibiri, umwihwezo w'uko ivy'uburenganzira bw'abakenyezi kw'itongo n'ubw'ukugira ijambo mu nzego zifata ingingo vyifashe ubu, be n'ugutororokanya ivyiyumviro vy'abari batumiwe muri urwo ruganda, nk'uko vyashikirijwe na Patiri Charles Karorero, Umunyamabanga Nshingwabikorwa muri ico gisata CEJP-Burundi kijejwe Ubutungane n'Amahoro.

Patiri Charles Karorero yavuze ko ico gikorwa kiri mu bindi bikorwa muri CEJP-Burundi basanzwe bakora vyerekeye agateka ka zina muntu.

Mbere ngo ivy'agateka ka zina muntu biranategekanijwe mu ndinganizo y'ibikorwa vya CEJP-Burundi, vyumvikana ko n'agateka k'abakenyezi karimwo.

Yagize ati: «Twaranguye uwo mugambi muri iyo ntumbero y'agateka ka zina muntu kugira ngo abantu bose, baba abagabo canke abagore, abana, urwaruka [...] biyumve.»

Yarongeye ati: «Twebwe dusanzwe turi igisata ca Ekleziya Katolika, turemera ko umuntu wese yaremanywe agashusho k'Imana, akaba afise iteka ata wurimuha, yaba abandi canke amaleta; ako gateka rero ni ko twagomvye gushira ahabona, gukomeza canke gushuhuruza, kuko n'ubundi kari gasanzweho.»

Yisunze ivyashikirijwe n'umuhinga mu vy'amategeko n'agateka ka zina muntu yagize umwihwezo kuri ico kibazo c'uburenganzira bw'umukenyezi w'umurundi kw'itongo n'u-bw'ukugira ijambo mu nzego zifata ingingo, Patiri Charles Karorero yarashikirije kandi n'ico muri CEJP-Burundi bazokoresha ivyiyumviro vyashikirijwe.

Yavuze ko abantu bose muri rusangi bokwumva ko banganya agateka. Na none ngo baremwe n'Imana imwe, kandi bacungurwa n'amaraso ya Kristu umwe. Rero ngo nta gateka k'umugabo kosumba ak'umugabo.

Ikindi Patiri Charles Karorero yamenyesheje ni uko ngo hari ibintu vyofasha abarundi kwinjira neza mu ngendo y'ugusonera uburenganzira bw'umukenyezi w'umurundi kw'itongo n'ubw'ukugira ijambo mu nzego zifata ingingo: ku bwiwe ngo nta wari akwiye kuguma yishiramwo ko ukwubahiriza ako gateka ari uguca kubiri n'imico n'imigenzo y'abarundi, kuko na none ngo agateka gafatiye kw'iremwa ry'umuntu ubwaryo.

Na ho ku vyerekeye uguhinduka mu mitwe no mu ngendo, wewe abona ko ari urugendo abantu bagira buhoro buhoro, bakabanza kwigishwa, atari mu bitabu gusa no mu mashure, ahubwo harimwo no kubona ingene abamaze kubitegera babaho kandi babishira mu ngiro; be rero n'ubwa gatatu bw'uko abantu bose, umwe umwe, bokwumva ko bafise igikorwa co gufasha mu guteza imbere ako gateka.

***Uburenganzira bw'abakenyezi kw'itongo no ukugira ijambo mu nzego zifata ingingo bwifashe bute?***

Nk'uko mu vyari bitegekanijwe muri urwo ruganda harimwo umwihwezo w'uko ivy'uburenganzira

Ibikur. urup. 8

# CEJP - Burundi: Ubuvugizi ku burenganzira bw'abakenyezi kw'itongo n'ubw'ukugira ijambo mu nzego.

bw'abakenyezi kw'itongo n'ubw'ukugira ijambo mu nzego zifata ingingo vyifashe ubu. Uwo mwihwezo washikirijwe n'Umupfasoni Alphonsine Bizimana, Umworoshakiyago w'uwo musi.

Mu mwihwezo yagize, yavuze ko yasanze amategeko yoyo atomoye, haba ku rugero mpuzamakungu, haba no ku rugero rw'igihugu c'Uburundi mw'ibwirizwashingiro no mu yandi mategeko arikomokako, ariko ko ngo intambamyi ziri mw'ikurikizwa ry'ayo mategeko, aho ngo usanga ngo amategeko anumishwa imbere y'imico n'imigenzo y'abarundi, usanga ngo iha abagabo ikibanza kirengeye ic'abagore.

Akarorero yatanze ni ak'ibibera ku matongo yo mu gihugu hagati, inyuma y'ibisagara, aho mu vy'ugutunganyiriza abavukana, igaburwa ry'amatongo usanga hagabura abahungu gusa, abakobwa na bo bagahabwa uburenganzira budashemeye, bufatiye gusa ku co mu kirundi bita: «igiseke» (ikivi abavyeyi baha umukobwa yagiye kwubaka urwiwe), na co nyene kigaruka kwa basaza biwe iyo atakiriho.

Bishitse ku bakenyezi bo mu bwoko bw'abatwakazi hoho ngo birunyuka, kuko bobo ngo abavyeyi babo usanga ata n'amatongo baba bisanganiwe.

Ariko n'ubwo uwo mupfasoni yemera ko n'amategeko ahari ategekanya ubwo burenganzira, na ho nyene arayabonamwo agahaze: ngo ntatomora neza mu buryo burashe ico umukenyezi akwiye mu rugo yamukamwo ku vyerekeye amatongo, n'ico umugabo akwiye mu rugo yamukamwo na we nyene, ico umukenyezi akwiye mu rugo yashinze, n'ico umugabo akwiye mu rugo yashinze.



Gusa ngo hako hakurikizwa umugezo, wowo usanzwe ufise abo utoranya n'abo ushira inyuma, ngo hoba harakurikizwa n'ayo mategeko ariho.

Bamwe mu bari muri urwo ruganda-kiyago baravuze ico biyumvira ku kuntu imico n'imigenzo vyanumishije amategeko, gushika n'aho abakenyezi ubwabo usanga biyima n'ivyo bari bafitiye uburenganzira, kandi vyari gushoboka.

Hari umugabo yavuze ko atangazwa no kubona nk'umugore aba afise itongo, ntaryiyandikisheko, ahubwo agashima kuryandikisha ku mwana wiwe w'umuhungu, acaguye mu bandi bana afise b'abakobwa. Ico ngo kirerekana ko n'abagore ubwabo batiyemera.

Umwe mu bakenyezi bari muri urwo ruganda na we yamwishuye ko abagore babaye igihe kirekire mu buzima buzingamikwa n'imico n'imigenzo, barateba babona ko ari bwo buzima. Yagize ati: «Umukenyezi yarabaye mu gacinyizo karenze ku buryo ateba agasigara abona yuko ari vyo vyiwe».

Ku bw'uwo mukenyezi, ngo n'ubwo hoba inyigisho -nk'uko vyagiye birasabwa n'abandi- ariko ngo abakenyezi bari muri urwo ruganda ngo ni bo bo gufata iya mbere mu guhindura ibintu, bakava ngaho bahindutse, batabona ko umwana w'umukobwa wabo atari amarushwa Imana yamuhaye, ahubwo ari umwana anganya iteka n'uw'umuhungu.

Iryo abari mu ruganda bagona ku burenganzira bw'umukenyezi kw'itongo no mu kugira ijambo mu nzego zifata ingingo Ivyiyumviro vy'abari batumiwe muri urwo ruganda na vyo vyasubiwemwo bwa cegeranyo n'uwari ajejwe gutanga amajambo, Umupfasoni Agathonique Barakukuza.

Mu vyo bashikirije hakaba harimwo ko hoba uguhimiriza ngo habe impunduka mu vyiyumviro n'ingendo, ukurengera ibisanzwe bivugwa ikivunga vyerekeye imico n'imigenzo ariko bitabereye, ko abakenyezi boja muri politike no mu migambwe babishizemwo ugushaka ngo bashobore kuzezwa amabanga mu nzego zifata ingingo, hadasizwe inyuma abatwakazi, kandi abakenyezi bagashigikirana, ko izi nyigisho zoshikanwa ku mitumba, be n'uko abashingantahe boshigikira abakenyezi, be n'uko bofasha mu buvugizi, n'ibindi vyinshi.

Tubamenyeshe ko ivyo vyiyumviro vyatororokanijwe muri urwo ruganda bigiye kuzoshikirizwa Inama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi CECAB, bibe ari vyo bizoba urufatiro rwabo, mu kugirira ubuvugizi abakenyezi kuri ukwo guharanira uburenganzira bwabo kw'itongo n'ubw'ukugira ijambo mu nzego zifata ingingo, gutyo Ekleziya Katolika y'i Burundi igire urwo ruhara rwayo mu guharanira agateka k'umukenyezi, ibe imushigikiye ityo mu kugira uruhara ruboneka mw'iterambere ry'imiryango n'isi biciye mu kwubahiriza ubwo burenganzira bwiwe.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Kuva 2025, Intara ya Burunga izoba igizwe n'amakomine 7

Intara ya Burunga ifise umugwa mukuru Makamba, igizwe n'amakomine 7 n'amazone 76. Ayo makomine ni Bururi, Makamba, Matana, Musongati, Nyanza, Rumo nge, Rutana.

1. Komine Bururi, umugwa mukuru wa komine ni Bururi, igizwe n'amazone 12. Nayo ni :

• Zone Bamba igizwe n'imitumba 5: Jungwe, Kagwa, Nyamiyaga, Nyagwaga, Ruvumu.

• Zone Binyuro igizwe n'imitumba 6: Bugeni, Bwatemba, Gihinga, Gitwaro, Mubuga na Ntunda.

• Zone Bururi igizwe n'imitumba canke amakartiye 9: Gisanze, Mahonda, Mudahandwaa, Mugozi, Murago, Tondwe, Kartiye Bururi, kartiye Kigwati na Kartiye Rumonyi.

• Zone Condi igizwe n'imitumba 6: Gikwazo, Kagimbi, Kivubo, Nyabucokwe, Rutoka na Sanzu.

• Zone Burunga igizwe n'imitumba 4: Burunga, Kiganda, Mubuga na Rukanda.

• Zone Gitsiro igizwe n'imitumba 5: Kabwayi, Kigutu, Kirungu; Mirango na Mushishi.

• Zone Kajondi igizwe n'imitumba 5: Gihanga, Gikizi, Kajondi, Musenyi, Ruringaniza.

• Zone Muhweza igizwe n'imitumba 5: Gikana, Gitobo, Muhweza, Musongati, Mwarusi.

• Zone Munini igizwe n'imitumba 8: Buhinga, Burenza, Gahago, Gasenyi, Gatanga, Munini, Muyange, Nyarugera.

• Zone Muzenga igizwe n'imitumba 6: Burarana, Muzima, Nyavyamo, Rushemeza, Rwankona na Kartiye Kiremba.

• Zone Rutovu igizwe




n'imitumba 6: Kijima, Kinyonzo, Munyinya, Mutangaro, Muzenga na Ruhando.

• Zone Vyanda igizwe n'imitumba 6: Kagoma, Kareha, Karirimvya, Migera, Nyakabenga na Rweza.

Yose hamwe ni imitumba canke amakartiye 71 igize amazone 12 ya Komine Bururi.

2. Komine Makamba, umugwa mukuru wa komine ni Makamba, igizwe n'amazone 15. Nayo ni :

• Zone Bukeye igizwe n'imitumba 6: Bukeye, Busoro, Gikama, Murambi, Nyakazi, Nyarubanga.

• Zone Bigina igizwe n'imitumba 8: Bigina, Gasenga, Kibara, Mayange, Mudaturwa, Mukingo, Musasa, Sampeke.

• Zone Nyantakara igizwe n'imitumba 4: Gitaba, Mugeregere, Muguruka, Nyantakara.

• Zone Canda igizwe n'imitumba 3: Canda, Kirare, Nyankara.

• Zone Dunga igizwe n'imitumba 4: Dunga, Kigaza, Rusovu, Shaka.

• Zone Gatabo igizwe n'imitumba 4: Bunga, Gatabo, Nkaramanyenye, Rutenderi.

• Zone Gitaba igizwe n'imitumba 10: Cunamwe, Gitaba, Karonge, Mahembe, Mpinga, Mugutu, Murambi, Murango, Muvumu, Nyabangwe.

• Zone Gisenyi igizwe n'imitumba 7: Gaasaka, Gisenyi, Kanzege, Munonotsi, Musanga Rabiro, Siza.

• Zone Kabuye igizwe n'imitumba 4: Gihero, Kinoso, Kizingoma, Nyabigina.

• Zone Kayogoro igizwe n'imitumba 9: Borera, Butare, Kabizi, Kibimba, Muyaga, Kartiye Buhirwe, Kartiye Gitaramuka, Kartiye Mushasha, Kartiye Swahili.

• Zone Kibago igizwe n'imitumba 6: Jimbi, Kibago, Kivoga, Mbizi, Rubimba, Ruyange.

• Zone Kiyange igizwe n'imitumba 7: Kabanga, Kiyange, Masaswa, Migongo, Nyabigina, Nyarutuntu, Rusunwe.

• Zone Makamba igizwe n'imitumba 13: Kayoba, Muresi, Kartiye Gitwa, Kartiye Kigarama, Kartiye Kigwati, Kartiye Kirama, Kartiye Mukenke, Kartiye Muyogo, Kartiye Nyaburumba, Kartiye Nyankoni, Kartiye Rugarama, kariye Rukanko, Kartiye Swahili.

• Zone Mugeni igizwe n'imitumba 5: Buhema, Bujondi, Kiyogoma, Kiyange na Mugeni.

• Zone Nyange igizwe n'imitumba 3: Mihongo, Ndago na Nyange.

Yose hamwe ni imitumba 77 n'amakartiye 16 bigize amazone 15 ya komine Makamba.

3. Komine Matana, umugwa mukuru wa komine ni Makamaba, igizwe n'amazone 15. Nayo ni :

• Zone Gasibe igizwe n'imitumba 5: Bitezi, Gitanga, Kinyinya, Ntega na Sakinyonga.

• Zone Gisarenda igizwe n'imitumba 4: Butwe, Gisarenda, Mahango na Ruzira.

• Zone Kibezi igizwe n'imitumba 5: Donge, Kibezi, Mpota, Musho na Mutobo.

• Zone Kivumu igizwe n'imitumba 3: Gakaranka, Kivumu na Munini.

• Zone Kiryama igizwe n'imitumba 6: Gahnda, Kinwa, Kiryama, Mutsinda, Rutundwe na Rwego.

• Zone Mahwa igizwe n'imitumba 4: Kampezi, Mahwa, Ndava, Nyabikenke.

• Zone Matana igizwe n'imitumba 4: Bihanga, gisisye, Matana na Mugano.

• Zone Muheka igizwe n'imitumba 3: Muheka, Musenyi, Taba.

• Zone Mugamba igizwe n'imitumba 6: Burasira, Coma, Ntentamaza, Nyatubuye, Rukere na Taba.

• Zone Mwumba igizwe n'imitumba 4: Gitara, Gitaramuka, Gozi, Mwumba.

• Zone Ndago igizwe n'imitumba 2: Jenda, Ndago.

• Zone Nyagasasa igizwe n'imitumba 6: Mubira, Ndengo, Nyakigano, Nyamugari, Ruhinga, Ruko

• Zone Ruvumvu igizwe n'imitumba 3: Rusama, Tara, Yengero.

• Zone Songa igizwe n'imitumba 3: Kigabiro, Muzamba, Songa.

• Zone Vyuya igizwe n'imitumba 5: Gataka, Kirinzi, Mugomera, Nyakimonyi, Vyuya.

Yose hamwe ni imitumba 63 igize amazone 15 ya Komine Matana.

**_Biracaza_**

***Ingingo N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.***

# Uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu

Umuntu wese kuva akivuka arafise uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu. Umuntu yabisavye kandi akwije ibisabwa n'amategeko arashobora gusaba ubwenegihugu bugira kabiri.

Naho umuntu afise uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu, arashobora kubutakaza mu gihe bimenyekanye ko yaburonse mu buryo bunyuranye n'amategeko canke yitwaye nabi amaze kuburonka.

Umuntu ashobora kandi gusaba guheba ubwenegihugu akagumana bumwe.

Uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

*Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

*Amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana

*Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka n'ukubaho neza kw'abana.

*a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.*

Ingingo ya 15 y'itangazo mpuzamakungu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu.

Nta muntu n'umwe ashobora kwamburwa ubwenegihigu canke ngo yakwe ububasha bw'ugufata ubwenegihugu ashaka bidaciye mu mategeko.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana*

Kwandikisha abana mu bitabu ndangamuntu bituma baronka uburenganzira butandukanye harimwo n'ubwo kugira ubwenegihugu.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo y'7 mu gace kayo ka mbere ivuga ko umwana wese yandikishwa akivuka kandi akaba afise uburenganzira bwo kugira izina, bwo kuronka ubwenegihugu kandi bishobotse akamenya abavyeyi biwe akongera akarerwa na bo.

*c) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka n'ukubaho neza kw'abana*

Ingingo ya 6 ivuga ko umwana wese ategerezwa guhabwa izina, akandikishwa mu bitabu ndangamuntu kandi akaronka n'ubwenegihigu.

Nk'uko duhejeje kubibona amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu.

N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n° 1/013 ryo kuwa 18 mukakaro 2000 rihindura igitabu c'amategeko agenga ubwenegihugu mu Burundi.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro*

Ibwirizwa ryerekeye ubwenegihugu mu Burundi riratomora ko umuntu ashobora kugira ubwenegihu canke akabutakaza.

Ibi bitegekanywa n'ingingo ya 12 mu gace kayo ka mbere aho ivuga ko "Ibwirizwa ni ryo rishinga uburyo umuntu aronka ubwenegihugu, abugumya canke abutakaza."

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.

b)Mw'ibwirizwa n° 1/013 ryo kuwa 18 mukakaro 2000 rihindura igitabu c'amategeko agenga ubwenegihugu mu Burundi

Ingingo ya 2, mu gace kayo kambere, ivuga ko umwana avutse agira ubwenegihugu bw'Uburundi igihe:

* yavutse ku bavyeyi bubatse kandi se akaba ari umurundi naho abavyeyi b'umwana batoba baba mu Burundi ;

*iyo ari umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye ariko se afise ubwenegihugu bw'Uburundi akaba yaramwemeye avyishakiye canke biciye mu ngingo ya sentare ;

* umwana yavutse kuri nyina afise ubwenegihugu bw'Uburundi naho se yoba atazwi co kimwe n'umwana yihakanywe na se ariko igihe yamwihakana nyina yari afise ubwenegihugu bw'Uburundi.

Umwana wese yavukiye ku butaka bw'igihugu c'Uburundi arashobora kuronka ubwenegihugu.

Ibi bitegekanywa n'ingingo ya 3 ivuga ko abana bavukiye ku butaka bw'Uburundi bahabwa ubwenegihugu bw'Uburundi iyo abavyeyi biwe batazwi ; n'umwana yatowe ku butaka bw'Uburundi araronswa ubwenegihugu kiretse iyo vyagaragaye ko atavukiye mu Burundi hamwe n'umwana se atazwi ariko nyina yaronse ubwenengihugu bw'Uburundi imbere y'uko uwo mwana akwiza imyaka cumi n'umunani.

Umugore w'umunyamahanga arashobora kuronka ubwenegihigu bw'Uburu-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu

(Bitangurira ku rup.10)

ndi mu gihe yubakanye n'umugabo w'umurundi.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 4 ivuga ko umugore w'umunyamahanga aronka ubwenegihigu bw'Uburundi mu gihe yubakanye n'umugabo w'umurundi.

Umuntu arashobora kuronka ubwenegihugu bw'Uburundi mu gihe akwije ibisabwa n'amategeko.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo y'7 aho ivuga ko umunyamahanga ashaka ku-gira ubwenegihugu bw'Uburundi ategerezwa kuba ashikana imyaka mirongo ibiri n'umwe, canke yujuje imyaka mirongo ibiri mu gihe asabiye rimwe ubwenegihugu n'umwe mu bavyeyi biwe ; ategerezwa kuba ari umuntu afise imigenzo myiza kandi atarahanirwa icaha gisanzwe canke gikomeye ; akunda igihugu c'Uburundi kandi yifata nk'abarundi.

Uwushaka ubwenegihugu bw'Uburundi ategerezwa kandi kuba amaze imyaka cumi aba mu Burundi.

Iki ikiringo kiragabanywa gushika ku myaka itanu iyo uwurondera ubwenegihugu yubakanye n'umurundikazi canke iyo ari umunyamahanga yakoze ibikorwa bidasanzwe mu Burundi.

Umuntu yaronse ubwenegihugu bw'Uburundi abusavye, arekurirwa gutora canke kwitoza haheze imyaka 10 aronse ubwenegihugu.

Ibi tubisanga mu ngingo y'9 ivuga ko abantu baronkejwe ubwenegihugu bw'Uburundi baronka uburenganzira bw'ugutora canke bw'ukwitoza haheze imyaka icumi uhereye aho vyatangarijwe mu kinyamakuru c'ibitegekwa mu Burundi.

Iri tegeko rigenga ivyerekeye ubwenegihugu mu Burundi riritegekanya ko umuntu ashobora kugira ubwenegihugu bubiri.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 21 ivuga ko umurundi wese afise uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu bugira kabiri.

Umurerano arezwe n'umunyamahanga arafise uburenganzira bwo kurondera ubwenegihugu bw'Uburundi mu gihe ashikanye imyaka ibimurekurira.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 23 ivuga ko umwana arezwe n'umunyamahanga, ashobora gusubira kuronswa ubwenegihugu bw'Uburundi akabuhabwa igihe amaze gukwiza imyaka mirongo ibiri n'umwe kandi adatakaje n'ubwenegihugu bw'umurezi wiwe.

Umuntu afise ubwenegihugu bw'Uburundi arashobora kubuheba mu gihe afise ubundi bwenegihugu nk'uko tubisanga mu ngingo ya 30.

Iyo ngingo ivuga ko abarundi bafise ubundi bwenegihugu bashobora guheba ubwenegihugu bw'Uburundi mu gihe bashikana imyaka mirongo ibiri n'umwe.

Ingingo ya 31 na yo yerekana inzira umurundi acamwo kugira ahebe ubwo bwenegihugu. Iyo ngingo ivuga ko abantu bafise ubwenegihugu bw'Uburundi baba mu bindi bihugu bashobora kwandikira ikete umushikiranganji w'ubutungane bamumenyesha ko bahevye ubwenegihugu bw'Uburundi kandi naho nyene bategerezwa kubikora bisunze amategeko.

Umuntu arashobora gutakaza ubwenegihugu mu gihe yaburonse mu buryo bunyuranye n'amategko canke mu gihe yitwaye nabi.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 33 ivuga ko umuntu ashobora kwakwa ubwenegihugu bw'Uburundi mu gihe yaburonse hakoreshejwe urwenge, ubusuma, mu gutanga igiturire, mu gukoresha ubundi buryo ubwo ari bwo bwose bunyuranye n'amategeko.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko umuntu ashobora kandi kwakwa ubwenegihugu bw'Uburundi igihe yifatanije n'igisirikare c'ikindi gihugu ciyemeje ku mugaragaro gutera intambara ku Burundi.

Nk'uko uwushaka ubwenegihugu abusaba akurikije amategeko, n'uwubwakwa bica mu mategeko.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 34 ivuga ko umushikirizamanza canke uwundi muntu uwo ariwe wese, afise uburenganzira bwo kwitura sentare nkuru y'igihugu yaho uwitwarirwa aba kugira uwaronse ubwenegihugu mu buryo bunyuranye n'amategeko abwakwe.

Sentare nkuru y'igihugu yituwe ni yo iheza igafata ingingo ibereye imaze kubigenzura neza.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu. Twabonye ko Abana bavuka ku Barundi canke ku Barundikazi banganya uburenganzira imbere y'Ibwirizwa rigenga ubwenegihugu.

Vyongeye, birashoboka ko umuntu agira ubwenegihugu bubiri.

Ariko rero, naho umuntu afise uburenganzira bwo kugira ubwenegihugu ndetse buburi, ashobora kubutakaza mu gihe yaburonse mu buryo bunyuranye n'amategko canke mu gihe yifatanije n'igisirikare c'ikindi gihugu ciyemeje ku mugaragaro gutera intambara ku Burundi.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Umunsi mpuzumakungu wahariwe abageze mu zabukuru

Kuva mu kwezi kwa Mukakaro 2021, Ekleziya Katolika yarashinze umunsi mpuzamakungu wahariwe abageze mu za bukuru, abanyokuru n'abasokuru.

Uwo munsi ukaba uhimbazwa ku munsi w'Imana ugira kane w'ukwezi kwa Mukakaro, hegereje umunsi Ekleziya ihimbaza aberanda Yohakimu na Anna abavyeyi ba Bikira Mariya; Yezu akaba umwuzukuru wabo.

Uno mwaka uwo munsi wahimbajwe ubugira gatatu kw'igenekerezo rya 23Mukakaro ku civugo: « Agirira ikigongwe abamwubaha bose, uko imvyaro zikurikirana » (Luka 1, 50). Mw'ijambo Papa Fransisiko yashikirije ry'uwo munsi, yashimikiye kw'i-ramukanya rya Bikira Mariya na Elisabeti.

Afatiye ku majambo y'iryo ramukanya yavuze ai: « Imana iripfuza ko abakiri bato banezereza abageze mu zabukuru, bakubura muri abo batama n'abatamakazi ubwitonzi buva ku myaka bamaze n'ivyo iyo myaka ibasigarana; nkuko Mariya yabigize kwa Elisabeti. Imbere ya vyose, Imana ishaka ko tutoheba abo bageze mu zabukuru, abanyokuru n'abasokuru ngo bigumane bonyene nkuko vyibonekeza muri iki gihe ca none.»

Ku bijanye n'abageze mu zabukuru, uguhura n'abakiri bato bibatuma kwizigira ko ivyo babayemwo bitazotakara, ko indoto zabo zizoranguka muri kazoza.

Ukuramukanya kwa Bikira Mariya na Elisabeti kurerekana ko ikigongwe c'Imana c'iyerekana uko inzaruka zigenda zirakurikirana, bikerekana ko atanumwe yotera aja imbere canke ngo yikize wenyene, ariko ko ububasha bw'Imana bwiyerekana iminsi yose uko inzaruka zigenda zirakurikirana.

Papa abandanya asaba ukuva mu vyiyumviro tukaja mu bikorwa biboneka bituma abageze mu zabukuru, abanyokuru n'abasokuru badakumirwa, ngo bagume ari bonyene; ikibanza cabo mu miryango no mu kibano bituma haba ugusabikanya itunga ryivyo babayemwo bituma igihugu kigira ishingiro.

Egome abageze mu zabukuru, baratwigisha kahise k'igihugu c'Imana, Ekleziya n'igihugu kirabakeneye, kuko k'ubu gatungishwa nivyo babayemwo vyiza vyubaka kazoza.

Mutima mweranda aravyura mu bageze mu zabukuru ivyiyumviro n'amajambo y'ubwitonzi. Ururimi rwabo ruguma rururirimba indirimbo zo kuninahaza Imana.

Izo ndirimbo zikibutsa ko ugusaza ari ingabirano, ko abageze mu zabukuru ari ipfundo rihuza inzaruka kugira bashikirize urwaruka ivyaranze ubuzima n'ukwemera kwabo.




Papa agatumirira ama Diyoseze, ama paruwase, amashirakamwe, imibano kuwuhimbaza bashimikiye ku kanyamuneza kibonekeza hagati y'abakiri bato n'abageze mu zabukuru.

**Ni kuki uwo munsi mukuru?**

Papa Fransisiko yashinze uwo munsi kugira abantu bageze mu zabukuru, abanyokuru n'abasokuru, kuko hariho aho usanga bafatwa nk'umucafu wo guta, uwo munsi ugatuma bibuka agaciro kabo nabo bakaba mu mwizero ko bafise agaciro.

Ukwitaho abageze mu zabukuru, abanyokuru n'abasokuru, wamye ari umwitwarariko wa Papa Fransisiko kuva abaye umusubirizi wa Petero mweranda. Yamye ahamagarira abantu guheba inyifato yo kwinuba abakuze, akabahamagarira kurangwa n'imigenderanire myiza bategerezwa kugirira abageze mu zabukuru.

Uwo mwitwarariko wiwe ugatumirira umuntu wese kwibaza ikibanza aha abo batama n'abatamakazi mu kibano. Uwugeze mu zabukuru ategerezwa kwitwararikwa co kimwe n'abandi.

Uwo munsi ukaba utuma umwe wese mu mutima wiwe yiyumvira ingene abageze mu zabukuru bokubahwa. Gurtyo bigatuma kwibuka no gukenguruka ivyiza bakoze bakibasha , nivyo babandanya bakorera Ekleziya n'igihugu mu busaza bwabo.

Tubamanyeshe rero ko uwo munsi ugira gatatu wagenewe abageze mu zabukuru wahimbajwe hasigaye iminsi mikeyi ngo habe umunsi mpuzamakungu w'urwaruka.

Uyo munsi ukazobera i Lisbonne muri Portugal kuva ku wa 1gushika ku wa 6 Myandagaro 2023.

Inyuma y'inkuka ya misa yo guhimbaza uwo munsi, abageze mu zabukuru batanu baserukiye imigabane itanu y'isi bashikirije urwaruka rutanu ikimenyetso c'umusaraba w'urwaruka, bisigura ko ukwemera kugenda kuraherekana uko inzaruka zingana.

*MSV M. Goreth Ndikumana*